# A Sanctuary in the Desert : Outer Court of Tabernacle

**Lesson 104**

**Exodus 33:7-11 ; Exodus 26:1-5; 27:9-10**

Memory verse : ***« I would be rather be a doorkeeper in the house of my God than dwell in the tents of wickedness. » Psalm 84:10b***

**IHEME RY'IMANA M'UBUGARARWA : M'URUGO**

**Exodus 33:7-11; Kuvayo 26:1-5; 27:9-10**

Ijambo ngenderwako ***« Nopfuma mpagarara kw'ibaraza ry'ingoro y'Imana yanje hako noba mu maheme y'abanyakobi*** » Zaburi 84 : 10b

## I. IHEMA : Ikibanza c'ibonaniro ry'abantu n'Imana.

Imana yasavye Mose kubaka ihema aho nyene m'ubugararwa ngo ribe ikibanza c'aho abantu bashobora kwegerera Imana mu gusenga ; n'Imana ikaba hafi y'abantu bayo. Yategerezwa kwubakwa mu kibanza co hagati y'amahema y'abantu. Iyo bimutse, bimukana ibikoresho bakubaha aho bageze.

Imana yatwara Abisilayeli bukebuke kugira baze batinde bamenye imikorere yayo. Yabahaye amabwirizwa, iberetse ingene bayubakira ihema ry'ibonaniro. Abo bari igikoresho c'Imana kizomufasha gushikana ishaka ryayo mu b'isi bose. Yivuganira na Mose imbonankubone.

## II. Batanga amashikanwa yo gukora ihema.

-**Batanga bivuye k'umutima** : ***Soma 35:21-23.*** Abisirayeli batanze ayo mashikanwa n'umutima ukunze. Umwe wese yabikoze abikuye k'umutima. Ishikanwa bene iri niryo ryemerwa n'Imana. Ni naco gituma no m'urushengero rw'Imana, abantu bakwiye gutanga ivyabo ari amashikanwa, ivyicumi, amashimwe n'ibindi bibavuye k'umutima. Aho niho bazobihemberwa mw'ijuru.

-Baritanga ku ngabire zabo : **35:25-26**. Umutima nk'uyu wo gukorera Imana muvyo ushoboye vyose niwo Imana yipfuza mu bantu bayo.

## III. Ibibanza vy'ihema ry'ibonaniro.

Iri hema ryari rifise ibice nyamukuru bitatu : M'urugo, ahera n'ahera cane. Ikibanza cose cakorerwamwo igikorwa categekanirijwe kandi cari gifise insiguro mw'isezerano rishasha.

**1. Mu rugo. Igicaniro co guturirirako ibimazi, n'igikarabiro : Ikigereranyo co gukizwa.**

**Soma kuv. 40:29-32** Iki gicaniro cari giteretwe m'urugo nico catangirwako ibimazi vyose vy'abisirayeri. Cari kirekire kigapima imetero 7,5 X 4,5
Muri iki gihe, iyo umuntu yaba yakoze icaha, kugira aharirwe, yategerezwa kuzana ikimazi kitagira agasembwa. Umuherezi yarakibaga agatanga amaraso yaco n'izindi nyama zigaturirirwa kuri ico gicaniro. Izaba zisigaye zaribwa n'abaherezi n'abana babo. Umuriro waco wategerezwa kwama waka ijoro n'umurango **Abalewe 6:9**. Hari hategekanijwe ikimazi co mugitondo n'ico umugoroba. Uku kwicwa kw'igitungwa, kwasigura ko uwakoze icaha yategerezwa gupfa ariko hapfuye igikoko mu gushingo ciwe.

Igihe umuntu aba yarinze azana igitungwa ciwe ; yaba yicujije mu mutima kubera icaha yakoze. Uku nikwo kwihana nyakuri.

Hariho n'ibesani yo gukarabiramwo amaboko n'ibirenge imbere yo gukora igikorwa c'Imana. ni icerekana ko at mugororotsi, umwe wese akwiye kwama yoga mu maraso y'Umukiza Yesu Kristo.

Ku masonga y'ico gicaniniro, habako agahembe. Aka kasigura ikibanza c'ubuhungiro bw'abantu kuko igihe habaye uwukora icaha co kumwicisha ; akinjira agafata kuri iri hembe. Imana yaba yateguye urukiza rw'abantu.

## IV. Ibimazi vyatangwa.

Ica mbere co ni uko igitungwa categerezwa kuba ari ica nyene gukora kugitanga kuvyaha canke nk'igishimo. Haremererwa gutangwa ibitungwa bitaziza : inka, impene, intama,… k'umukene yaratanga inuma y'ishamba, intunguru. Nta kigongwe cabaho ku muntu abuze ico atanga. Abatunzi bamabagiriwe ikigongwe. Biraboneka ko hari hakenewe uwitanga rimwe gusa kubw'inyugu ya bose abatunzi n'abakene.

## V. Gushira mu ngiro.

Ni ibitangaje uravye uko ivyakorwa mu gihe c'Abisirayeli vyose vyujujwe na Yesu Kristo. Yapfuye k'umusaraba ngo abe ikimaze gitangiwe abantu bose rimwe gusa kuwuvyemeye. Nkuko bakoranira mu rugo baraba ingene ikimazi giturirwa ; ni ko n'ubu abakijijwe bakoranira mu ngoro y'Imana baraba umusalaba wa Yesu bakamuhimbaza bakamuha amashimwe.

Dawidi we yavuze ngo : *Nopfuma mpagarara kw'ibaraza ry'ingoro y'Imana yanje hako noba mu maheme y'abanyakobi*. Mu ngoro y'Imana niho amahoro ari, hari abahakengera. Abo bakanezerwa no kwibera mu banyakibi. Abo

ntibazomenya umukiza yitanze akaba ikimazi kuri bose. Kubw'ivyo birasaba ko wama wibuka ingene Yesu Kristo yababajwe kugira agukize ivyaha vyawe. Ugahora umwumvira, umwubaha.